REPUBLIQUE DU BURUNDI

MINISTERE DE L'AGRICULTURE ET DE L'ELEVAGE

PROGRAMME NATIONAL POUR LA SECURITE ALIMENTAIRE ET LE DEVELOPPEMENT RURAL DE L'IMBO ET DU MOSO (PNSADR- IM)

DON GAFSP N°2000000834

DON FIDA DSF N°2000000833

PRET OFID Nº1604P.

Elaboré par

ACORD BURUNDI

Avec l'appui du Consultant Jésus Claude

HABIMANA

Août 2017

KUBIKA IMBUTO ZA BASE NA COMMERCIALE, NO GUKORESHA IMITI Y'IBITEGWA

I. IBIKWA RYIMBUTO YA BASE NA COMMERCIALE

Iyimbura riheze ry'imbuto y'umuceri base canke commerciale ica yanikirwa kugira izo mbuto zite amazi :

1)Ibice 12% vy'amazi mu ntete nirwo rugero rwiza kugira imbuto ibikike neza.Nugukoresha kagapimisho bita Humidimètre,utagafise ukoresha iryinyo :

*Uhekenye urutete ukumva rurorosha haba hakirimwo amazi menshi ;

*Uhekenye ukumva urutete ruragumye gose rukavungagurika ruba rwumye gose bigatuma ruta ububasha bwo kumera(pouvoir germinatif);

*Uhekenye urutete rugacikamwo kubiri gusa,niho imbuto iba ibereye kubikwa.

2)Gusukura imbuto y'umuceri imbere yo kubikwa.

Gukuramwo:

-Ibindi bintu birimwo(ibicericeri,amabuye,ivu,inkungugu)

-Intete z'ibindi biterwa;

-Intete zameneste;

-Intete ntonto(zifise ububasha buto bwo kuzana imbuto ikenewe).

Ico gikorwa gikunda ukoresheje imashine bita "Netoyeur-séparateur"itabonetse nugutoza iminwe ukongera ukagosora.

3) Gutekera imbuto z'umuceri.

Imbuto z'umuceri za base canke commerciale,zitekerwa muburyo bukurikira :

Gutekera mu mifuko mishasha ya nylo(Kirazira gutekera mu mifuko yakoreshejwe mu gutekera ibindi,cane cane umuceri;

Imbere yo gutekera nukubanza gushiramwo imiti ibikanwa n'imbuto kugira ntihinjiremwo udukoko twonona imbuto(Actelic Super).

Ivyihwejwe:

- Hari imifuko y'ubwoko bushasha yo gutekeramwo ivyimburwa kugira ntibibungwe ISABU iriko irakwiragiza mu gihugu;
- Mugushiramwo iyo miti n'ukwikingira kurukoba,amaso,amazuru n'umunwa.

4)Kubika imbuto muri hangar:

Nkuko abaguzi b'imbuto bataboneka ubwo nyene,nukumenya ingene, zibikwa muri hangare kuburyo zitononekara:

- Ubwiza bwa hangare yo kubinwamwo imbuto:iba isukuye,ifise akayaga (ihema),irimwo ama palettes,yakuwemwo ingwara zoba zirimwo mukuyipompa n'imiti yabigenewe(désinfectation).
- Ibikwa ry'imbuto y'umuceri ya base canke commerciale: Imbuto y'umuceri imaze kuja mumifuko mishasha uca:
    - Upima umufuko umwumwe kandi ukandikako ibiro birimwo;
    - Kwandika k'umifuko ubwoko bw'imbuto(variété);
    - Ucupanga imifuko irimwo imbuto kuma palettes.

Ama pallettes ategerezwa kuba ategamiye uruhome nimiburiburi 1m.

Ama palettes apangwa usize inzira umuntu ashobora gucamwo.

Ivyihwejwe : Nukwama ucungera imbuto ziri muri hangar (ko zitabungwa canke ziribwe n'imbeba).

II.IKORESHWA RY'IMITI Y'IBITEGWA

Icungerwa ry'ingwara y'imbuto ya base canke commerciale canke udukoko,rikorwa kuva kumbuto zatewe gushika zimburwe no mububiko.

☞ **Imbuto**

Biragoye kumenya ko imbuto igwaye uravye n'amaso.Bikenerwa ko ingwara zicungerwa mu murima.Ariko mukubiba imbuto n'ugushiramwo imiti ituma udukoko tutonona imbuto canke ingwara zikizinu (champignon) :Actelic Super,Benlate.

Iyo miti ishigwa mumbuto imbere yo kuyishira mumifuko.

Urugero rw'umuti:

- Actelic Super:250 gr mu biro amajana atanu (500 kg) vy'imbuto;
- Benlate: 100gr mu biro amajana atanu (500 kg) vy'imbuto.

Ivyihwejwe:

- Actelic Super ituma hatajamwo udukoko;
- Benlate yica imigera y'ingwara zibizinu (champignon);
- Benlate ikoreshwa mugihe co gutera imbuto(enrobage).

☞ **Muri pépinière (Iyorezo)**

Gupompa na Dulsuban kugira imivyaro ntiribwe n'udukoko.

Urugero: 15cc kwi pompo ya 15l z'amazi.

☞ **Mumurima**

- Gupompa na Dursuban kugira ugwanye udukoko turya umuceri:15 cc kw'ipompo ya 15l z'amazi
- Gupompa na Kitazin kugira ugwanye ingwara ya puryculaliose:10cc kw'ipompo ya 15l z'amazi

☞ **Muri hangar**

Gupompa muri hangar n'umuti uwariwo wose wica imigera ishobora kubangamira imbuto z'umuceri.

N.B:Iri ubwoko bwinshi.

III. IBIRINGO VYO GUSHIRAMWO IYO MITI

- Actellic, mugihe co gushira mumifuko
- Benlate, mugihe co gutegura imuto
- Dursban, ibagara ryambere nirya gatatu biheze, umuceri uhejeje gushamika.
- Kitazin, umuceri uhejeje gushamika.

IV. IBIKWA RY'IMITI Y'IBITEGWA

Imiti y'ibiterwa iri ubwoko bubiri twihweje uko imeze:

- Imiti y'amazi
- Imiti y'ifu

Imiti y'amazi ikoreshwa urinze gushira mu mazi y'ibomba canke yo mu mwonga. Imiti y'ifu ikoreshwa mugupompa mu murima, canke ucanga n'imbuto imbere yo kuzibika canke imbere yo gutera canke ifu ukayicanga n'amazi ku rugero ruzwi.

Iyo miti yose ntibikwa cokimwe bivuye kukungene imeze (y'amazi can ke y'ifu).

Ivyihwejwe :

Amahangari yubakwa bategekanije aho imiti izobikwa kuko atari myiza kumagara y'abantu.

Ingene imiti ibikwa b ivuye uko imeze

☞ **Imiti y'amazi**

- Ibikwa mu kintu iba yarazananye
- irazira kugurura ico urimwo atari igihe ushaka kuwukoresha.
- Gusoma witonze ivyanditse kukintu urimwo kugira urabe ubukanye canke ubushuhe utegerezwa kuyibikamwo hamwe n'igihe umuti ushobora kumara ubitswe.
- Kugara neza ico umuti urimwo igihe cose uhejeje kuwukoresha (ibido, icupa)
- Kirazira kubika umuti wamaze gucanga n'amazi

☞ **Imiti y'ifu**

- Kubika umuti mu kintu yazananye (imifuko ya nilo, plastique, isache).
- Gusoma neza ivyanditseko, kugira umenye ubukanye canke ubushuhe umuti ubikwamwo, n'igihe umuti uzomara ubitswe.
- Kubika imiti aho amazi y'imvura adashika.

Ivyihwejwe:

- Mukubika imiti y'ifu ija ukwayo, iyamazi ukwayo.
- kubika imiti kuduserama (étagères)
- Mukwinjira a aho imiti ibikwa n'ukwi kingira umunwa n 'amazuru.